**Bible lessons. Lesson 41. THINGS CHANGE IN JACOB'S SONS' FAMILIES**

**Exodus 1:1-22**

**Memory verse: "To everything there is a season, a time for every purpose under heaven."** **Ecclesiastes 3:1**

**IBINTU BIRAHINDUTSE MU BASIRWA BA YAKOBO.**

ICIRWA CA 63

**Kuv. 1:1-22**

Ijambo ngenderwako : ***« Ikintu cose cashingiwe igihe caco, kand'igikorwa cose musi y'ijuru gifise akanya kaco. »*** **Umusig. 3:1**

**I. Intangamarara.**

Tumaze kwiga igitabo c'itanguriro, aho twakirangije tubonye Yakobo na Yosefu bamaze gupfa ariko abasirwa babo bagakundwa cane kubera iciza Yosefu yakoreye abanyagiputa. Twarize n'izindi nyigisho zo mw'isezerano rishasha. Ubu turakurikiza n'igitabo co KUVAYO. Cahawe iri zina kuko arico kitwereka ingene Abaheburayo bavuye muri Egiputa berekeza mu gihugu c'isezerano Kanani nyuma y'imyaka amajana ane nkuko Imana yabibwiye Aburahamu. **Itang. 15:13**

Ibinjana 35 biraheze iki gitabo canditswe. Canditswe na Mose akoreshejwe n'Imana. ibirimwo ni urukurikirane rw'ivyo twize mu gitabo c'Itaguriro. Kiratwigisha inkuru z'Abaheburayo aribo bana ba Israyeli.

**II. Abaheburayo barwiririana muri Egiputa.**

Yakobo n'abahungu biwe bamaze gupfa, abuzukuru babo bagumye aho nyene muri Egiputa. Baravyara baranarondoka cane kurusha abanyagiputa.

Mwibuke ko Imana yari yarasezeraniye Aburahamu ibintu bitatu :

• **Kurwira** : Yamubwiye ngo uruvyaro rwawe ruzongana n'umusenyi wo kukiyaga. Aha rero, abuzukuru biwe baravyara bakarwira cane bigatera abanyagiputa ubwoba. Igihe cose Imana ishatse ko m'urugo rwawe ubutunzi, abana birwira, nta n'umwe yobihagarika.

•**Umugisha** : Ico bakora cose cagenda neza(Ubworozi, amafaranga, ubuhinga, ) vyashavuza abanyagiputa bakabagirira ishari. Bikabarya mu mitima.

• **Igihugu** : Twibuka ko bavuye i Kanani ari mirongo irindwi bakaba bari baje bahunze inzara. Nyuma y'imyaka amajana ane, barahabaye bakahabona nk'iwabo. Ariko vyukuri aho ntihari iwabo kuko Imana yasezeraniye Aburahamu kuzomuha igihugu c'i Kanani. Isezerano ntiryari bwashike. Iki kiratwibutsa ko naho iyi si twoyikunda gute, siho iwacu.

**III. Uwundi Mwami atanguza ibikorwa vy'ubuja kuba Heburayo**

**Umur.wa 8** haratwereka uwundi mwami yagiye ku ngoma nk'inyuma y'imyaka ijana, uyu nawe ntiyari yarigeze kumenya iciza Yosefu yakoreye abanyagiputa. Yitwa **Thutmose III.**

Uyu mwami mushasha azana umugambi mubi wo kubagirira nabi yumvisha abiwe ko aba Bahebulayo bazohava biyunga n'abansi babo kugira babarwanye. Ashiraho imigambi (Plans) itatu kugira babahonye buhoro buhoro :
**Umugambi wa 1 : umur.wa 11 :** Ibikorwa vyagahato vyo kubakira Farawo ibigega i Pitomu ni Ramesesi. Aha, harapfiriye abagabo benshi.

Abashakashatsi barahatoye ibisigarira vy'abagabo bishwe bateruye ibitafari binini binini. Naho vyaruko, abaheburayo mukuvyara hari k'umusi ku musi. Barakomeza baragwira. Ibi vyatuma Abanyagiputa bataronka n'agatiro. iyi plan 1 yari iyo kugira babace intege babone ko ata n'ivyizigiro vyo kubaho ; bamwe baniyahure. Satani ati : « Aho boba babuze ubugingo bakansanga muri uyu muriro »

**Umugami wa 2 :Umur.wa 15.** Plan ya mbere imwankiye, niko gusaba abakirizi ko boza baraniga umwana w'umuhungu wese avutse. Aba baranka kubikora. Baravugana bati : « **Oya**. ntavyo dukora kuko ubuzima bwa muntu busumba inyungu iyariyo yose. Basigura ko abaheburayokazi, bavyara banyarutsa.

Uku niko Satani ahora ategura kugusangangura akoresheje inrwara, intambara... Imana ikaba yateguye abakuvugira ukarengana. Ishoboye guca inzira aho utayibona.

**Umugambi wa 3** : **Umur. wa 22**. imana nkuru y'abanyagiputa yari **uruzi Nile**. Aha niho Farawo yategeka ko baterera abana babahungu bavutse bose muri uru ruzi mana yabo. Ati ko ibindi vyanse, reka turabe ko imana yacu yemera ko babaho. Ibishegu vyayo zari ingona. Yari isanzwe ihabwa ibimazi vy'abana bakivuka. Babaterera hejuru bakarwa muri urwo ruzi, ingona zabatabagura, bakayikomera amashi cane, bayisenga , bayisaba ivyo bashaka. Muri Egiputa, imana y'ibisuma yubakiwe ku nkengera z'uru ruzi Nile nyene.

Iki kigeragezo camaze imyaka myishi. Umuntu wese akuramwo inda, asa n'aba banyagiputa babanyavyaha kandi igihano cabo ni kimwe.

**IV. Gushira mu ngiro**

Abana ba Israyeli babayeho neza mu gihe Yosefu yari ikiriho n'iyuma yaho gato. Ariko ibintu biza kubahindukana. Ibihe bikomeye bibashikako, kandi Imana yarabiretse kugira bame bibuka ko Egiputa atari iwabo, ahubwo bame bipfuza kuzotaha iwabo mu gihugu c'isezerano i Kanani. Ibi vyago uhura navyo, nibigutume gukumbura iwanyu mw'ijuru.

Satani yafashe umugambi ngo aherengeteze abana ba Israyeli kuko azi amasezerano yabo n'Imana. N'ubu uwo mugambi ntarota awuhagarika ku bantu bizeye kristo kuko arazi ivyiza babikiwe mw'ijuru. Wiyubare. . Rema, Mu gihe c'agacerere ;Imana iba iriko irabitunganya. **Kuv. 3:7.**

Ushobora kuba warabaye mu bihe vy'umunezero ukiri muto, none ubu uri mu mibabaro. Satani ntaguce intege, Imana iriko irabitunganya. Ariko niba wari muri ico kibanza, wohaguruka, ugasenga, n'ubu Imana iragutabara, niba naho warakoze ivyaha, iraguharira. Ntakintu na kimwe wokora ngo gitume Imana itagukunda. Ni RUKUNDO